The Facts.

Igikorwa co Gusuzuma Uburwayi c'Abahinga mu Ntara

Igikorwa Categuwe n'Ikigo c'Amagara yo mu Mutwe Atandukanye ya Queensland

Urupapuro rw'inkuru y'uwurabwa (Kirundi)

Wabonanye n'Umusuzumyi w'Amagara yo mu Mutwe akoresha Indimi Zibiri (BMHC) w'Ikigo c'Amagara yo mu Mutwe Atandukanye ca Queensland (QTMHC).

Izina ry' Umusuzumyi w'Amagara yo mu Mutwe akore Indimi Zibiri ni:

_____

_____.

Ico QTMHC gitanga ibikorwa bikwirikira biciye muri Basuzumyi b'Amagara yo mu Mutwe akoresha indimi Zibiri:

- Isuzumwa rikwiye ry'imico
- Gutondekesha ibibazo vy'imico bijanye n'ikibazo c'amagara yo mu mutwe yawe
- Kugukwirikirana ihinduka canke gusubiramwo umugambi wo kukubungabunga
- Kugukwirikira kw'igihe gito, nk'inkuru n'inyigisho ku bijanye n'ikibazo c'amagara yo mu mutwe hamwe nawe n'uwukubungabunga.

Uburenganzira bwawe

Ubufise uburenganzira bwo:

- gufata ingingo ku bijanye n'ibungabungwa ry'amagara yawe bwite
- kuronka ikwirikiranwa ryiza ata kwinubwa kubera imico yawe, imyaka, umurwi urimwo, igitsina, ivy'igitsina ukunda, idini canke ivyiyumviro vya politike
- gufita ivyo usaba, ingwara n'imigambi yo gutunganya ivyasiguwe mu majambo ushobora gutahura
- gufita ibanga n'ukwizigirwa kwubashwe
- gusaba, no guhabwa, umusiguzi mu gihe bikenewe
- gufita umuntu agufasha (umugenzi, umuryango, umukozi afasha) ajejwe ivyankenerwa vyose vy'ukubungabungwa kwawe
- gutanga ibirego ku bijanye n'urugero rw'ukubungabungwa kwawe rutashimishije.

Amahangiro yawe

Uterwa intege yo gukorana n'abahinga b'amagara yo mu mutwe mu:

- kwishura ibibazo ku magara yawe wisanzuye uko bishoka
- kwubahiriza imibonano yawe no kumenyesha umukozi ajejwe amagara mu gihe utashobora kwitaba umubonano
- gukwirikirana ukuvurwa canke itunganywa wemeye kandi ubwire umukozi ajejwe amagara mu gihe uhisemwo gutabandanya ukuvurwa kwawe
- kumenyesha umukozi ajejwe amagara mu gihe uja ku wundi mukozi abungabunga amagara kuri iyo ngorane nyene.

Nimba ukeneye izindi nkuru, ushaka kuganira kubikubakiye, canke gutanga ikirego, ushobora guterefona (07) 3167 8333 (muri Brisbane) canke 1800 188 189 (inyuma ya Brisbane), hanyuma usabe kuvugana n'Umukuru w'Ibikorwa vy'Ubuvuzi canke Umuhagarikizi.

Nimba utavuga Icongereza, usabwa guhamagara 131450 kugira ngo usabe umusobanuzi mu rurimi rwawe hanyuma usabe bagushire ku murongo w'Ikigo c'Amagara yo mu Mutwe Atandukanye ya Queensland kuri (07) 3167 8333. Impembo y'umusiguzi izotangwa n'ico Kigo.